# 124: Yes' amp' amahoro

1. Yes' amp' amahoro y' atarondoreka Andinda mu byago byose. Uko mba kose, nzajya nishima, nti: Nguwe neza, ndatunganiwe.

Ref: Ni neza... Ndatuje... Nguwe neza , ndatunganiwe !

2. Satan' iy' antey' ankandas'imyambi ye,Njya mpeshw' amahoro menshi No kwibuka Yes' uko yandengeye, Ava mw ijuru ngw anshungure.

3. Ibyaha byanjye yabyikoreye byose: Ntiyashigaje na kimwe Byabambwe byose ku Musaraba we : Yes' ashimwe Yarankijije !

4. Kuv'ubu, kubwanjye kubaho ni Kristo; Ndetse, singitinya gupfa; Urupfu na rwo ruzamber' indamu. Yes' ampay' amahoro menshi

5. Mumeny' iyo tujya: n' i bwami mw ijuru; Ntabw' ar' i kuzimu mu mva.Ni twumva za mpanda, tuzanezerwa. Uzagaruka ryari, Yesu ?

Visit us at burundi.indirimbo.com